Office Burundais des Recettes

"Je suis fier de contribuer à la construction du Burundi"

COMMISSARIAT DES SERVICES GENERAUX

Réf : 540/92/CSG/02/104/F.M/2019

ITANGAZO RYO GUSUBIRA KURONDERA INZU YO KUBAMWO NO GUKORERAMWO KU MURWA MUKURU W'INTARA YA MAKAMBA

Ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi (OBR) kirasubiriye gutangaza ko uwo wese afise kandi yipfuza gupangisha inzu yokoreshwa nk'inzu yo kubamwo n'ibiro vy'abakozi bayo barangurira imirimo ku murwa mukuru w'intara ya MAKAMBA kuza kwimenyekanisha. Muri uko kwimenyekanisha, hasabwa ibi bikurikira :

1. Inyubakwa itegerezwa kuba ikomeye kandi yubatswe mu buhinga bwa kijambere, ifise ivyumba bitandatu (5 bipima n'imiburiburi 2 m x3 m, icumba kimwe cagutse gipima n'imiburiburi 4 m x3 m) na salon (yagutse ipima nimiburiburi 4 m x4 m), utuzu twa surwumwe turimwo ubwogero (salle de bain) n'imiburiburi tubiri turi munzu nkuru kandi turimwo ibikoresho vya kijambere kandi dukora neza (WC à siège) n'akazu ka surwumwe ko hanze gatunganije neza nako nyene ka kijambere (WC turque).

   Ivyumba bito bito bitandatu bisabwa birashora kuba bimwe biri mu nyubakwa nkuru, ibindi mu nyubakwa zindi ziri mu rupangu, ariko zibereye kubamwo uburaro bw'abantu ;

2. Inyubakwa itegerezwa kuba yubatse hafi y'ibiro vy'intara (hatarenga ibirometero bibiri), iri ahantu habonwa kandi hashikwa vyoroshe n'abatangakori n'amatagisi, baba abagenda n'amaguru, n'amakinga, n'amapikipiki canke n'imiduga ;
3. Inyubakwa itegerezwa kuba yagukiwe hirya no hino yayo, ifise parkingi nini (ishobora kujamwo ikamyo Fuso nini 3) ikikijwe n'uruzitiro rukomeye (rw'amatafari ahiye canke amabolokosima), rufise imetero zibiri z'uburebure uduga hejuru canke zirenga, rwugarwa kandi hashikwa n'imodoka nini zipakiye imizigo ;
4. Inyubakwa itegerezwa kuba itunganijwe neza, irimwo amazi n'amatara.
5. Mwene inyubakwa nk'iyo yipfuza kuyipangisha asabwe kwandikira ikigo OBR akakimenyesha ibi bikurikira :
   - Uburinganire bw'ikibanza inzu irimwo ;
   - Igicapo cerekana ingene inyubakwa igabuwe mu vyumba;
   - Igicapo cerekana aho inzu yubatswe mu kibanza;
   - Igiciro cogupangisha ku kwezi ku kwezi;
   - Impapuro ziranga nyene inyubakwa zemewe n'imiburiburi na zone, ziriko n'ikashe yayo.

Menya neza:
Igicapo cerekana ingene inyubakwa igabuwe mu vyumba (vue en plan) hamwe n' Igicapo cerekana aho inzu yubatswe mu kibanza (plan masse) ntibihara mu mpapuro zisabwa.

6. Igiciro co gupangisha kizokwisunga itegeko nshikiranganji (ordonnance ministérielle) n° 720/540/1003 ryo kuwa 23/07/2018 rishira mungiro ingingo (arrêté) y'icegera ca kabiri

c'Umukuru w'Igihugu numero 121/VP2/0012/2017 ryo kuwa 20/06/2017 ritegekanya mungingo yaryo ya gatatu (article 3 de l'Ordonnance Ministérielle) yuko inzu zipangishijwe canke zipanzwe na Leta y'Uburundi zitarenza igiciro ca 2000 Fbu/m² kunzu isanzwe (immeuble pavillonnaires) canke igiciro ca 3200Fbu/m² kunzu igeretse (immeuble en étage).

7. Abavyipfuza basabwe kuzana ibahasha ryugaye ririmwo impapuro zasabwe aho hejuru mu gace ka gatanu k'iri tangazo ku biro vya OBR biri mu nyubakwa y'ibiro bisanzwe birangurirwamwo imirimo ya OBR kumurwa mukuru w'intara ya MAKAMBA hatarenze kw'igenekerezo rya ..22.../.02../2019 igihe c'isaha zitatu zo mu gatondo zuzuye neza. Ayo mabahasha azokwakirwa n'abakozi ba OBR bazoba bavuye I Bujumbura. Kazoba ari nako karyo keza ko kubereka no kugenzura izo nyubakwa, kugira ngo barabe ko koko zikwije ibisabwa.

Menya neza:

- **Hazokwakirwa amabahasha yose y'inzu kandi azokugururwa ku mugaragaro, kugira ngo abahiganwa babone ingene barushanije.**
- **Ikigo OBR ntikizokwakira ibahasha rizoza inyuma y'ikiringo camenyeshejwe aho hejuru.**

8. Uwuzotsindira isoko asabwa gusubiramwo inyubakwa (gusiga, kugara neza, gukoresha ibikoresho vyose biri munyubakwa, ...) akoresheje uburyo bwiwe ariko hakenewe guhindura canke guhinyanyura iyo nyubakwa mu guca ibindi vyumba canke kongerako inyubakwa, azokoresha uburyo bw'ikigo OBR. Ivyo vyose bizokorwa mu mwumvikano.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 17/01/2019

COMMISSAIRE DES SERVICES GENERAUX
ET PERSONNE RESPONSABLE DES MARCHES PUBLICS

Frédéric MANIRAMBONA